**Akamo kagira 4**

# Amahugurwa ya gisirikare mu kigo kijejwe imbuto mu KIGARIKA kiri ku mutumba Ngarama, zone Ruyigi, komine Ruyigi mu ntara ya Buhumuza.

Mu ntumbero y'umugambi **UMUSEKE**, amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu, umuhari uharanira agateka ka zina muntu mu Burundi Iteka na King Umurundi Freedom babandanya bagabisha ku nyifato y'umutekano uteye amakenga kenshi na kenshi ariryo soko ry'amabi menshi kandi bikazingamika iterambere ry'igihugu.

Mu kubandanya akamo gaheruka,ayo mashirahamwe uko ari abiri aragabisha abarundi co kimwe n'amakungu,cane cane abo muri Leta y'uBurundi,imikenyuro ya Leta zunze ubumwe,y'ubumwe bwa Afirika hamwe n'iyo mu karere k'ibiyaga binini,ku mahugurwa ya gisirikare abandanya mu mihingo itandukanye y'uBurundi.Ako kamo karagaruka ku kigo c'ihugurwa kiri mu kigo kijejwe imbuto KIGARIKA conyene kiri ku mutumba Ngarama, zone Ruyigi, komine Ruyigi mu ntara ya Buhumuza.

Mubisanzwe,kuva mu ntango y'ukwezi kwa Ntwarante 2026,ihugurwa mu vya gisirikare ririko ribera mu kigo kijejwe imbuto mu Kigarika kiri ku birometero 3 uva ku murwa mukuru wa komine Ruyigi kikagira uburinganire bwa hegitari 7 kw'ibarabara RN 13 utera uja mu Cankuzo. Abakorerwa iryo hugurwa ni abahoze ku rugamba basubijwe mu buzima busanzwe hamwe n'urwaruka rw' Imbonerakure batowe mu bandi kubera ugukara kwazo hamwe n'abandi bantu bavuga i Kinyarwanda, Igiswahili mbere harimwo n'abavuga i lingala. Amashirahamwe yacu aribaza ko aba WAZARENDO, FDRL n'aba FARDC bavuzwe mu kirindiro ca Busuma boba bari mu bahugurwa.

Vyongeye,kubwo isoko ryacu mu kigo c'imbuto Kigarika ahari ikigo c'ihugurwa,abo bahugurwa biga gusambura no guteranya vyihuta inkoho hamwe n'ugukoresha ibindi bisasu biturika.
Ugufungurirwa bikorwa n'ibiduga binini vy'igisirikare.Babonye ko ikigo c'imbuto caKigarika cari gifise inyubakwa zagutse zagenewe gushingura imfungurwa,ni ivyo bimodoka binini vya gisirikare nyene vyunguruje imfungurwa zari zihashinguwe kugira batange ikibanza gikorerwamwo iryo hugurwa.Umugwi w'abahugurwa(bataillon) bababa abantu 211 harimwo abigeme 9 bakwiragiye mu migwi 3 hamwe n'ababahugura 80 bari batowe mu makambi atandukanye

PROGRAMME UMUSEKE

Site : https://ligue-iteka.bi
Email : communication@ligue-iteka.bi
WhatsApp : +256701178261
X : @LigueIteka

Site : https://kingumurundifreedom.org
Email :contact@kingumurundifreedom.org
WhatsApp : +33758279294
X : @KUF_ASBL

y'igihugu kandi bose bahoze ku rugamba rw'umuhari CNDD-FDD nibo bari muri ico kigo.

Twibajije ku gitigiri kinini c'abahugura,mu ntango,hari hategekanijwe guhugurwa imigwi minini 3 ariko kubera ikibanza kihari,iryo hugurwa ryashizwe mu mice 3 igizwe n'umugwi munini (bataillon)umwe mu kiringo c'amezi 3,bisigura ko ihugurwa rizobandanya gushika hahere amezi 9.

Twihweje ivyo, umuhari Iteka na King Umurundi Freedom turasavye :

**Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu iterambere ry'amakomine hamwe n'umutekano wabanyagihugu:**

- Kuva mu gacerere bwongere bumenyeshe abarundi n'amakungu intumbero y'ayo mahugurwa avugwa mu mihingo itandukanye y'igihugu bunatange n'umuco kubanyamahanga boba bava mu Rwanda na Kongo mu cuka ca politike atari ciza hagati y'ivyo bihugu bitatu.

**Kubafasha muvyo ubuhinga n'uburyo Reta y'uBurundi harimwo NU, UE hamwe n'abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi:**

- Gukwirikiranira hagufi vyene ivyo bikorwa bishobora kubandanya bihungabanya umutekano mu karere gasanzwe atako kifashe.

***<u>Kubwo umugambi UMUSEKE</u>***

**Anschaire NIKOYAGIZE** **Vianney NIZIGIYIMANA**





**20 Ntwrante2026**

*Umukuru w'umuhari Iteka*
*+256701178261*

*Umukuru wa King Umurundi Freedom*
*+ 33 7 58 27 92 94*

PROGRAMME UMUSEKE